# Agakete k'Insezerano

## Umuhari w'ubutumwa wa Schoenstatt

*« MU NSEZERANO Y'URUKUNDO, TUBE IBIKORESHO VYA BIKIRA MARIYA MU GUHARANIRA UBWERANDA BWA MISI YOSE »*

**Ndamukiza 2026 - № 4**

**Patiri Yozefu Kentenich, umuvyeyi yatanguje Schoenstatt aratuyagira**



**«** Mawe Umuhimbazwa cane yarunze Insenzerano y'Urukundo na Schoenstatt hamwe n'abana ba Schoenstatt. Ivyo bisigura ko, kubw'urukundo, yama yiteguye kudufasha kubw'iyo Nsezerano y'Urukundo. Kubw'urukundo, yaremeye kugumana natwe ng'aha (mu gasengero k'intango), maze abe ariho ahera mu kwegeranya abantu benshi abirerere kandi abagire bashasha kubw'isi nshasha, natwe adukoreshe nk'ibikoresho bitobito kugira ashike kuri iryo hangiro. None natwe turiko dukora iki? Twiyemeze natwe kwiyugurura, kuvuga ego kuri ivyo. Turiyemeje guhereza utwigoro twacu nyabworo mu kwiha indero, tuduhereza Nyina w'Imana, we Murezi wacu mukuru. Tutumuherereze hano kugira nawe ashobore gufata nka nkama ubwo butumwa, yongere aburangure gushika ku muhero w'isi, mu gushaka no mu kudahemu. » (**Joseph Kentenich, October Week 1950, 14-17**).

**Tugaruke kuri iryo jambo :**

Muryango wa Schoenstatt nkunda, kumwe n'Umwana wiwe mukundwa, Bikira Mariya ni aduhezagire !
Insezerano y'Urukundo, niyo gatimatima k'akarangamutima kacu. Si iciyumviro gusa ciza ndoramana canke uburyo bwo gusenga nk'ubundi bwose. Ni nyabuna imigenderanire mizima hagati yacu na Bikira Mariya. Muri iyo Nsezerano, Nyina w'Imana yaremeye gushinga icicaro, gutanga ubufasha n'igikorwa co kunagura isi. Ariko kandi, ivyo atwemerera bijana n'ivyo adusaba : kugira natwe ico duterereye mu bikorwa. Patiri Kentenich aratwibutsa ko Bikira Mariya yagiraniye Insezerano y'Urukundo na Schoenstatt hamwe n'abana bayo. Mu rukundo, yiyemeza kugumana natwe, gurtyo ahereye mu gasengero, yegeranye abantu benshi abirerere kandi abagire bashasha mw'isi nshasha. Yamara, Bikira Mariya ntashaka gukora ubwo butumwa wenyene. Yipfuza gukorana natwe kandi aciye kuri twebwe n'ubwo turi bato kandi dufise aho tugarukiriza. Ngico rero ico Insezerano y'urukundo yisangije : Imana na Bikira Mariya, barashaka iminwe yacu. Ntituri abarorerezi basanzwe b'ibikorwa vy'Imana mw'isi. Duhamagariwe nyabuna kuba ibikoresho bizima. None twofasha gute Bikira Mariya muri ubwo butumwa bwo kunagura isi ? Patiri Kentenich araduha inyishu itomoye : twobicisha mu kwiha indero. Ivyo bisigura kwiga kwikoresha twebwe nyene. Bigasigura kumenya ububegito bwacu, intege nke zacu n'aho tugarukiriza, ariko kandi bigasigura kwemera ko dufashijwe n'Imana na Bikira Mariya dushobora gukura no guhinduka. Ukwiha indero bisaba guhozako mu kwihatira kuba umuntu abushitse : yihangana, azi ico ategerezwa, y'itangira abandi kandi adahemuka ku Mana. Mu karangamutima ka Schoenstatt, iyo ngendo irahambaye cane. Bikira Mariya tumwita Umurezi mukuru. Arera abana biwe kugira babe ibikoresho bishoboye guhindura isi. Ariko kugira akore ico gikorwa muri twebwe, dutegerezwa kumwugururira umutima no kumuhereza inguvu zacu. Patiri Kentenich arabivuga neza ko twiyemeza guhereza Bikira Mariya « utwigoro twacu nyabworo two kwiha indero ». N'ukuvuga ko atari ngombwa ko tubanza kuba beranda kugira dutangure. Ico Bikira Mariya atwitezeyeko, si ubutore bw'ikibiriraho, ahubwo ni ukutiyorobeka n'uguhozako. Intambwe yose uko ingana irahambaye : kwirinda ukutihangana, kwiga kubabariranira, gukora ivyo dutegerezwa mu kwumirako, gusenga tudasamara, gufasha abandi mu rukundo. Utwo dukorwa dutoduto, uko tudusubiramwo buri munsi niko tuba amabuye mazima yo kubaka isi nshansha. Mu buzima bwa misi yose, ukwiha indero bishobora gukorwa kwinshi. Nk'akarorero, uri umunyeshure, ushobora gufata ingingo yo kwiha indero cane mu vyirwa vyawe no guheba ubunebwe. Uri umuvyeyi, ushobora kwongereza intege mu kwumviriza kenshi abana wihanganye. Nimba ukiri muto naho, ushobora guhitamwo kubaho mu kuri no gukora ivyo utegerezwa mu migenderanire yawe n'abandi no mu bikorwa vyawe. Muri utwo twigoro twose, Bikira Mariya ashobora gukora no guhindura imitima yacu. Iyo dukoze iyo myimenyerezo, utwo twigoro tukaduhereza Bikira Mariya, duca tuba amashikanwa yo guhindura isi. Ivyo womengo ni bito, ariko Imana irakunda gukorana n'ibintu bisanzwe. Nk'uko urutete rukura rukavamwo igiti c'inganzamarumpu, utwigoro dutoduto tw'urukundo dushobora gutanga ivyamwa binini. Uwatanguje umuryango wacu yaremera cane ko uguhindura isi bitangurira ku guhinduka k'umutima w'umuntu. Hamwe umunyamuhari wese wa Schoenstatt yokwiyemeza kwiha indero vy'akarorero, Bikira Mariya yoshobora kurera neza urwaruka rushasha rw'abakristu rushobora kugira ico ruhinduye kw'isi kubw'akarorero kabo. Uno musi, isi yacu irakeneye cane kuba nshasha. Tubona kenshi amacakubiri, ukwikunda, akarenganyo, ugutakaza ingeso nziza. Guhangana n'izo ngorane zose, biroroshe gucika intege. Ariko Insezerano y'Urukundo iratwibutsa ko umwe wese ashobora kugira ico akora. Twokwiherako twebwe nyene. Duciye ku buryo tubayeho, tuvuga, dukunda, turashobora kujana umuco wa Kristu mu kibano. Gurtyo, Insezerano y'Urukundo ni ubutumwa. Idutumirira gukorana na Bikira Mariya mu kugira isi nshasha. Umunyamuhari wese yogira iyo ntambwe, niho iyo ndagano twemerewe izobandanya kuranguka muri iyo Nsezerano : Kwegeranya abantu benshi, abirerere, ahindure imitima yabo kandi atange umwizero kw'isi.

**(Patiri Jean Bosco Habonimana, Umuyobozi wa Schoenstatt mu Burundi)**

# Amakuru y'Umuryango wa Schoenstatt

**-- Ihwaniro ry'abagabo n'abasore n'abanyeshure babahungu muri diyoseze Ngozi**

Ku wa 7/3/2026, Léon Dusengeyezu na Fidèle Barinakandi bo mu biro bikuru vy'umuhari i Gikungu, baragendeye abaschoenstatt bo mu bisata vy'abagabo n'abasore hamwe n'abanyeshure b'abahungu bo muri diyoseze Ngozi. Bahuriye i Ngozi no ku gatutu ka Bikira Mariya ku Ruganza. Dusengeyezu Léon yahuye n'abo muri vikariya za Busiga, Murehe n'igice c'amaparuwase ya Vikariya Muhanga kuri paroisse Ngozi. Fidèle Barinakandi nawe ahura n'abo muri Vicariya Gatara ku Ruganza. I Ngozi, inyuma y'igisabisho carongowe n'umwibutsamana w'umuhari wa Schoenstatt muri diyoseze ya Ngozi, Patiri Damas Niyokindi, Umushingantahe Remy Riragendanwa aserukira igisata c'abagano n'abasore muri diyoseze ya Ngozi yaraciye ku mayange ingene umuhari wifashe mu gisata c'abasore n'abagabo muri diyoseze yose. Yaramenyesheje ko komite yo ku rwego rwa diyoseze irahari kandi irakora. Akaba yaramenyesheje ko mu rutonde rw'ibikorwa bafise harimwo kwitaho cane igisata c'abanyeshure n'inyenyeri. Ntiyibagiye no gushikiriza ingorane bakunda guhura nazo mu butumwa. Haba i Ngozi canke ku Ruganza, abatanze inyigisho baragarutse ku civugo c'umuryango wa Schoenstatt c'uno mwaka, ariko bashimikiye ku Nsezerano y'Urukundo irangwa n'amashikanwa dutanga mu kigega c'inema. Umwibutsama Patiri Damas Niyokindi, mu nyigisho yiwe yaragarutse ku ngingo nkurunkuru biyemeje yo kugenderako uno mwaka bisunze icivugo. ***Patiri Damas Niyokindi***

**-- Umwiherero w'abarongozi b'umuhari wa Schoenstatt muri diyoseze nkuru ya Bujumbura**

Kuva kuwa 13 gushika 15/03/2026 abasuku b'umuhari wa Schoenstatt 70 bo mu maparuwase yose yo muri diyoseze nkuru ya Bujumbura, hamwe n'abagize urwego nyobozi rwa Diyoseze, bagiwe imbere na Patiri Innocent Bandyatuyaga, Umwibutsaman-muyobozi wa Schoenstatt muri diyoseze baragize umwiherero ku Musozi wa Siyoni Gikungu kugira birimbure aho bagejeje ubutumwa. Muri uwo mwiherero bararonkejwe inyigisho zitatu. Mu nyigisho yambere, Dr Réverien Banziriyubusa yigishije uko umu Schoenstatt yokwitwara mu gihe ca none. Nayo mu nyigisho ya kabiri, Patiri Claver Karakura yigishije Amashiga atatu ya Schoenstatt. Mu nyigisho ya gatatu, Patiri Innocent Bandyatuyaga yagarutse ku ntambuko y'umuryango wa Schoenstatt, aho yerekanye ingene umuhari utunganijwe n'ikibanza umwe wese afise muri Schoenstatt. ***Linus Nduwamungu***

**-- Schoenstatt-Paruwase Rugazi, Diyoseze Bujumbura**

Kuwa 15/3/2026 aho muri paruwase Rugazi yitiriwe Paulo Mweranda, igisata c'Abagabo n'abasore bari bafise umushitsi yabagendeye : Umushingantahe Pascal Minani asanzwe ari mu rwego nyobozi rwa diyoseze mu gisata c'abagabo n'abasore muri diyoseze dkuru ya Bujumbura. Ijambo ry'IMANA yisunze mu nyigisho yaduhaye ryavuye muri Hagayi 2;15-19 aho badusaba kwumvira IMANA kuko ishobora kuduhezagira mu vyodukora vyiza ariko tugambaraye dushobora kugira ivyago. Mu nyigisho nyezina naho, yashimikiye cane ku Nsezerano y'Urukundo, ico arico n'ivyiza vyayo. Yaratwibukije ko uwishikanye kuri nyina w'Imana aronka imihezagiro myishi. Iyo nyigisho yadukaburiye kunywana na Bikira Mariya mu Nsezerano y'Urukundo, ku buryo abenshi baciye bumva inyota yo kunywana na Bikira Mariya naririya mu civugo tugenderako uwu mwaka tuzoguma twinovora inzahabu yambere mu nzahabu 3 zigize icivugo nayo akaba ari Insezerano y'Urukundo. Mu majambo yakurikiye, harabaye kuduhimiriza kugira ingendo nyeranda ku gasengero ikibanza n'abandi bo muyindi mihari bagendera, si twebwe rero twosigara inyuma, na cane cane ko tweho ari n'iwacu. Mu kurangiza baratwibukije ihwaniro ry'imirije n'ibisabwa. Baranatwibutsa n'intererano ku mugabo n'umusore ku mwaka kugira ngo urwego rwa diyoseze ruronke ukorutunganya ibikorwa. Ivyo tukaba tugiye kubishira mu ngiro. Twarakengurutse cane inyigisho twongera tunasaba ko n'ikindi gihe mutotwibagira kuzokwongera kugaruka. Imana Ibahezagire. ***Serges Nkunzimana***

**-- Urugendo rw'urwego nyobozi rwa diyoseze Rutana muri paruwase Shanga**

Kuwa 22/3/2026, abagize urwego nyobozi rw'umuhari wa Schoenstatt muri diyoseze Rutana baragendeye abaschoenstatt bo muri paruwase Shanga yo muri iyo diyoseze nyene, mu ntumbero yo kunagura umuhari muri iyo diyoseze nk'uko abaschoenstatt bo muri iyo paruwase bari baravyisabiye. Barahimbawe cane n'inyigisho baronkejwe ifatiye ku akarangamutima n'akarangabutumwa k'umuhari wa Schoenstatt. Barasavye ko ingendo nkizo zokomezwa. Twobamenyesha ko urwego rwa diyoseze Rutana rwiyemeje gukomeza no gutanguza umuhari mu maparuwase no mu bisata aho umuhari utarashika. ***Jean Marie Kantabazi***

**-- Yubire y'umuhari wa Schoenstatt muri paruwase Kinindo**

Kuw'Imana igenekerezo rya 22/3/2026, umuhari wa Schoenstatt wari uramutse uhimbaza yubire y'imyaka 25 iheze umuhari utanguye muri paruwase Kinindo. Ivyo birori vyatanguriye ku Nkuka ya Misa yinjiye 10h45. Abaschoenstatt bakaba baratanze n'amashikanwa muri iyo misa nyene. Inyuma y'imisa bahuriye hamwe mu nzu y'amakoraniro ya paruwase kumwe n'abatumire babo bari baje bava mu maparuwase atandukanye. Bakaba bari batewe n'iteka kandi na Patiri Mukuru w'iyo paruwase. Abashitsi babakirije indirimbo zihayagiza umuhari n'indirimbo rukristu, bongera barabazimana. Abafashe amajambo bose barashimiye Imana kuri iyo ngabire ya Schoenstatt, bongera batera intege abaschoenstatt ba paroisse Kinindo. ***Laurent Rirabaye***

Kandikwa n'Ibiro vya Schoenstatt mu Burundi n'ibihugu bibanyi, Mont Sion Gikungu, B.P. 374 Bujumbura, Tél. (+257) 22 23 40 72, Mobile:(+257) *65 161 983 * E-mail: schoenstatt.grandslacs@gmail.com*, Mont Schoenstatt Gikungu, B.P. 2240 Bujumbura. Tél. (+257) 22 23 06 89, Compte bancaire : BCB, Nom : Pères de Schoenstatt, N° 201-0033220-93, Mention : Centrale de Schoenstatt, Agatererano katavuna ku Nomero : amafaranga 100 y'amarundi. Site web: www.pères-schoenstatt.org